**REBIRTH – SALVATION**
**John 3:1-16**
**Lesson 19**
Memory verse: "***He who believes in him is not judged. He who does not believe has been judged already, because he has not believed in the name of the son of God."*** **John 3:18**

## KUVUKA UBWA KABIRI. AGAKIZA

**Icirwa ca 19**
**Yohana 3:1-16**
Umurongo ngenderwako"***Umwizeye ntazotsindwa n'urubanza, arik'utamwizeye aramaze gutsindwa, kukw'atizeye izina ry'Umwana w'Imana w'ikinege***."
Yohana 3:18

### I. Intangamarara

Muri iki gisomwa turabonamwo umugabo yitwa Nikodemu yari umufarisayo.Abayuda bari bagizwe n'imigwi ibiri ico gihe.umugwi umwe wari ugizwe n'Abasadukayo uwundi wari uw'Abafarisayo. Abafarisayo bari Abanyamigenzo cane.
Kuba umufarisayo vyasigura kuba umuntu mwiza, yize, yubahwa mukibano, ari mubagize inzego z'igihugu, umuntu w'umunyabubasha, umunyedini adasanzwe.
Ariko Nikodemu yari afise ikibazo. Muri we yari umuntu w'umunyamibabaro.
Yarafise ikinogo kinini muri we kandi atashobora kwiyuzuriza. Aza kuri Yesu ijoro rimwe aramubwira ati: "*Ntawoshobora gukora ibimenyetso nk'ivyo ukora, kiratse Imanairi kumwe nawe"* Yesu yarafise ububasha bwo kubona ibiri m'umutima w'umuntu. Hama Yesu amenya ko naho ari umunyedini mwiza akeneye kugira Ubuzima budashira.
Yesu yatanze impamvu zitatu z'igituma utegerezwa kuvuka ubwa kabiri.

### 1. Imvo ya mbere:Nimba wipfuza kuja mw'ijuru niwapfa, utegerezwa kuvuka ubwa kabiri.

Yesu yaravuze ati, "***Ntawushobora kubona Ubwami bg'Imana atavyawe ubwakiri***"
Kubera iki? Igihe wavyagwa na nyoko wawe wavutse mu buryo bw'umubiri.

Mukuvuka kwawe m'uburyo bw'umubiri, wavukanye kamere k'icaha. Nta n'umwe yigeze akwigisha "ingene" bacumura. Ntawakwigishije ingene babesha. Ntawakwigishije Ukwikunda. Gucumura ni kamere kacu. Twatoranye Kamere kacu k'icaha kuri Adamu.Nico gituma ukeneye kamere gashasha kugira ngo uje mw'ijuru. Kamere kava ku Mana. Kamere Imana iguha biciye mu maraso ya Yesu.

Uwavutse ubwa kabiri ahabwa ingabire y'ubugingo budashira. Aha aba yemerewe kuzoja mw'ijuru: ikibaza ciza, amabarabara y'izahabu, aho uzoshobora kumenya abizeye ba kera Aburahamu, Mose... intumwa za Yesu: Petero, Yohana, Pawulo... Ab'iwanyu bapfuye bizeye Kristo. Uzoba wemerewe kuja kubaganiriza kuko havurwa ururimi rumwe. Uzoba ari umusi mwiza wo gusubira kubana n'incuti n'abagenzi.
Ariko ikintu nyamukuru mw'ijuru n'uko uzobona Yesu imbonankubone.
Bibiliya iravuga ko igihe kizoshika aho amavi yose azopfukama kandi indimi zose zature ko Yesu ar'Umwami.

**2. Imvo ya 2. Tuvuka ubwa kabiri Kugira turonke ubuzima bw'Ukuri ubu nyene!**
Utegerezwa kuvuka ubwa kabiri kugira uronke ubuzima bw'ukuri ubu. Ubuzima bw'umunezero, amahoro n'urukundo.
Yohana 3 :16 haravuga, "Kuk'urukundo Imana yakunze abari mw'isi ari rwo rwatumye itanga Umwana wayo w'ikinege, ng'umwizera wese nt'az'apfe rubi, arikw'ahabwe ubugingo budashira".
Twama twibaza kw'ijambo "ubugingo budashira" nk'ikintu gitangura tumaze gupfa. Ukwon'ukuri. Ariko, vy'ukuri birarengeye ivyo. N'ubuzima butangura ubu nyene ukiriho kw'isi.
Igihe Kristo aje m'umutima wawe, ubugingo budashira buca butangura aho nyene. Ubugingo budashira bisigura ukuja mw'ijuru igihe upfuye ariko kandi bisigura kubaho ubuzima bw'ubwiza kandi busobanutse ubu ukibayeho kw'isi.

**3. Imvo ya gatatu: Dutegerezwa kuvuka ubwa kabiri ngo duhunge ukuzimu.**
**Yohana 3:18** haravuga, "*Umwizeye ntazotsindwa n'urubanza, arik'utamwizeye aramaze gutsindwa, kukw'atizeye izina ry'Umwana w'Imana w'ikinege*."
Uwutizeye, hamwe atokwizera ubu aba yamaze kurwicira. Ntakindi arindira ati umuriro utazima;

**Matayo 25:46**, “*Abo bazoja mugihano kidashira, arikw abagororotsi bazoja m’ubugingo budashira*”.

**II. Umuriro utazima ni iki ?**

Umuriro udashira (ukuzimu) n’ikibanza c’itandukanywa. Urupfu rusigura ugutandukanywa”. Hari ubwoko butatu bw’urupfu muri Bibiliya :

1. **Urupfu rwo mumubiri :** umunsi umwe umubiri wawe uzohagarara. Umutima wawe uhagarike gutera. Impwemu yawe izova mu mubiri wawe. Bibiliya yita umubiri “ihema”. Itwikiriye impwemu yawe n’umushaha wawe. Rero, urupfa n’igihe impwemu n’umushaha bivuye mumubiri wawe. Bigereranywa nko kuva mucumba kimwe ukaja mukindi.

2. **Urupfu muburyo bwa mpwemu :** urupfu muburyo bwa mpwemu n’urwo rupfu ufise igihe ukiriho kw’isi. Utandukanijwe n’Imana kandi nt’amahoro n’umunezero ufise ubu. Ufise ikinogo kinini ibwina mu mushaha wawe.

   Umubiri wawe umerewe neza ariko muri wewe ntunezererewe.

3. **Urupfu ruhoraho**: Uku n’ugutandukanywa n’Imana ibihe bidashira. Iki nico kirusha ububi ibindi muvyerekeye urupfu. Ikibanza Imana itabamwo.

**III. Gushira mu ngiro**

Ukuzimu n’ukwa Satani n’abadayimoni biwe. Ukuzimu ntikwaremewe abantu. Kwaremwe n’Imana kubwa satani n’abadayimoni biwe. Imana ntiyipfuza ko wewe canke uwariwe wese yoja mu kuzimu. Impavu zitatu ziratuma wokwipfuza kuvuka ubwa kabiri. Woba waravutse ukamera nk’umwana atazi ivyo arimwo. Urakeneye gusenga kugira amaraso ya Yesu akugire mushasha ubu nyene.

**THIRST OF NICODEMUS**
**John 3:16-19**
Lesson 92
Memory verse: “*Who is he who overcomes the world, but he who believes that Jesus is the son of God.”* **1 John 5:5**

**INYOTA YA NIKODEMU**

Icirwa ca 92

**Yoh. 3:16-19**

Ijambo ngenderwako : ***« Ni nde atsinda isi, atari uwizera yuko Yesu ari umwana w’Imana*** ? » **1 Yoh.5:5**

## I. Ibiganiro.

Iki kiganiro ca Nikodemu na Yesu nico gikuru mu biyagao vyanditswe muri bibiliya kuko gishimikiye ku Gakiza.

Nikodemu yari Umufarisayo. (Umuce w’idini y’abayuda wubahiriza cane amategeko ya Mose n’imigenzo ya ba sekuruza.) yarisonzesha igihe cose bisabwa, yubaha isabato ... Ntaco womugaya muvy’imigenzo y’abayuda. ariko akumva ko agifise inyota y’agakiza. Niko guhengera mukajoro aza aho Yesu ari ngo agire ico yomufasha.Batanguye kuyaga na Kristo aramubwira ati : « *Ni ukuri ni ukuri ndakubwire, iyo umuntu atavyawe ubwa kabiri ntashobora kubona ubwami bw’Imana. »* Ibi vyaramugoye gutahura.

## II. Insiguro yo kuvuka ubwa kabiri.

1.Ivuka rya mbere ni iryo mu mubiri (Kuvyarwa n’abavyeyi bo m’umubiri). Iri ryuzuye ingorane kuko umuntu yavukanye kameremere ya basogokuru. Adamu. Iyi ishima gukora icaha. Ntibizogusaba kwigisha umwana wawe kubesha, kwiba, gutukana. Ibi yarabivukanye. Harakenewe irindi vuka ryo mu burya bwa Mpwemu rinesha icaha.

2. Umuyaga ntuboneka n'amaso y'umubiri. Ubona ibikorwa vyawo. Ivuka rya kabiri, ntiriboneka mu buryo bw'amaso ya muntu ariko ibikorwa vyaryo biraboneka imbere ya bose. Ni ivyamwa vya Mpwemu Yera.
3. Igihe Abisirayeri bacumura ku Mana, Mose yabasavye kurangamiza inzoka yabamvye ku giti bakabona gukira. Ubu ugukira icaha ; ni ukurangamiza k'umusalaba Yesu yabambweko. Uku ni ukuvuka ubwa kabiri.

## III. Ubutumire.

Ubutumire ni **umurongo wa 16** uyu murongo ufatwa nka Bibiliya ntoya. urasigurwa mu bice bitandatu :

1."**Kuko Imana. ….**" Imana ni Umuremyi w'ibiriho vyose, ibiboneka n'ibitaboneka. Niwe ntango ya vyose. Ni UHORAHO. Niwe atanga ubugingo budashira. **Yoh.14 :6** Yesu avuga ati : *« Ni jewe nzira, ukuri n'ubugingo. Ntawuja kwa Data ntamujanye »* uyu niwe Mana.

2. "**Yakunze abari mw'isi. .** ." Urukundo rwo k'urugero rwo hejuru. Ijambo Urukundo riravurwa n'abantu bose bo mw'isi, Ariko ubiravye neza, ntawuzosanga akunda uwundi nk'uko bikwiriye. Raba uko urukundo rumera **1Kor.13 :4-6**. Data niwe Rukundo rw'ukuri. Imana irakunda cane abantu bose.

3. "**Yatanze Umwana wiwe w'ikinege . .** ." Aha niho urukundo rwiwe rw'agaheta rubonekera. Ingabire iruta izindi. Ijambo ikinege, mu giheburayo ryitwa "monogenes," risigura "umwe gusa" yemera ko ababazwa urupfu rubi, rugayitse, rubabaje rwo k'umusaraba azira ivyaha vy'abantu kugira abashitse ku gukira igihano categuriwe abanyavyaha.

Umugabo yabwiye umugore wiwe ati : Naguhaye vyose, inzu nziza, imodoka nziza, imyambaro,'' ataraheza umugore ati : Ego wagize neza ariko nshaka wewe. Yaramwemereye, bidatevye bamuzana kuri police afatiwe k'uwundi mugore. Abantu barakundana ariko bafise aho bageza.
Yesu we yaje mw'isi, ab'isi batanamushaka, bamwanka. Data yemera kumutanga mu bamwanka. Vyarumvikana ko batazomugirira neza. Kuki yamutanza ? Urukundo akunda abanu.

4. "**Kugira ngo uwumwizera wese.** . ." Ehe ubutumire butangaje. Kuba Nikodemu yari umufarisayo, ntivyamuhagije ngo yiyumvire ko ataco agikeneye kugira

ashikire amahoro y'umutima, yakire iyi ngabire y'agakiza. Imana yahaye umuntu uburenganzira bwo kwemera canke kutemera kwakira iyi ngabire . Kwakira agakiza, umuntu niwe abfisemwo uruhara.

5. " **Ntazopfe rubi .** . ." Uru rupfu ni ugutandukana kw'umuntu n'Imana ibihe bidashira umunyabicumuro akajanwa ahantu ho kubabazwa. Nirwo rupfu rwa kabiri, ruba inyuma y'urupfu rwo mu mubiri.
Umurongo wa 17 : « *Kuko Imana itatumye Umwana wayo gucira abari mw'isi urubanza ; ariko yamutumye ngo abari mw'isi bakizwe nawe*. » ijambo "Gutuma" ni "apostello," mu giheburayo. Aho niho hava ijambo "Apostle". "Intumwa". Imana yarungikanye ubutumwa Yesu bwo gukiza abari mw'isi, atari kubacira urubanza ; aho babe bakize uru rupfu rubi. Nico bita inkuru nziza.

**Luk. 2:11** « uyu musi UMUKIZA abavukiye mu gisagara ca Dawidi, niwe Kristo Umwami ». **Luk. 19:10** « Kandi umwana w'umuntu yazanywe no kurondera no gukiza icari cazimiye. » kwemera Yesu niko gukira uru rupfu rubi.

| | | | |
|---|---|---|---|
| Mugihe isi ikeneye : | Amakuru | irondera | umwigisha w'ubwenge |
| | Ibikoresho vy'ubuhinga | irondera | aba ingeniers |
| | Amafaranga | irondera | abarwizatunga |
| | Umunezera | irondera | abazi gutwenza |

Ivyo vyose birashobora kuboneka, ariko urupfu rw'ubugingo budashira ruguma rubarariye. Ico bari bakeneye mu buzima ni Umucunguzi Yesu kristo.

6. "**Ariko ahabwe ubugingo budashira..**." Aha ni hamwe, umugororotsi azojanwa ahantu heza kubana na Data Imana ihoraho. Urashobora kumenya ubwawe ko ufise ubungingo budashira. **Yoh. 5:13** *« Ivyo ndabibandikiye .. kugira mumenye ko mufise ubugingo budashira* »
Ntakindi cobikwemeza, uretse umutima wawe. Niba wumva ukekeranya, uca umenya ko utabufise. Urakeneye guheba ico cose cagutandukanije na kristo Yesu, ugasenga urahabwa ubugingo budashira.

## IV. Gushira mu ngiro.

Umuntu wese yavukanye kamere yo gukora icaha, ariko kubwo urukundo rw'Imana, ituma Yesu Kristo kugira acungure isi mu kubambwa k'umusaraba, gupfa, guhambwa no kuzuka mu bapfuye. Ivyo yarabikoze. Ni ahawe ho gufata ingingo ubona ibereye kugira ube uwavutse ubwa kabiri. Inyota ufise arayikumara.

Nta mahirwe mw'isi yosumba kuzobana n'Uhoraho ubwiwe mw'ijuru. Hamwe no gusenga, yesu Kristo arinjira mu mutima wawe.

**SALVATION A GREAT GIFT FOR EVERYONE WHO BELIEVES IN JESUS CHRIST**
**John 3:19-21**
Lesson 93
Memory verse: "*Therefore by their fruits you will know them."* **Matt. 7:20**

**AGAKIZA INGABIRE NKURU KUWIZEYE WESE**
Icirwa ca 93

**Yohana 3:19-21**

Ijambo ngenderwako : ***« Nuko muzobamenyera ku vyo bama »*** **Mat. 7:20**

## I. Intangamarara.

Twafashe umwanya munini twiga iki gice ca Yohana 3, ivyirwa bimwe birisubiriza muri iki gica. Twashoboye gutahura Yesu Kristo uwariwe n'ingabire y'agakiza yatanze kub'isi. Hari abavugisha akanwa ko bakijijwe, ariko vy'ukuru batarakira iyi ngabire yatanzwe na Yesu. Ukuri kuzwi n'umuntu ubwiwe. Amajambo arabesha, muzobamenyera kuvyo bama.

Umuntu yokubwira ko agukunda, akakugabira ibintu ukeneye vyose, akagutwengera iyo muhuye n'amajambo meza ; ariko vyukuri niwe wenyene azi ukuri kwiwe mu vy'urwo rukundo akubwira. Bishobora kuba bitandukanye nivyo akwereka. Igihe kitabaye kirekire, uzomenya uwariwe.

## II. Ibikorwa vy'agakiza.

**Soma. Imirongo 20 ,21** igiti ciza kimenyekanira ku vyamwa vyaco. Yesu ntiyavuze ngo ; « Uwukora ibikorwa vyiza aza k'umuco. » Yavuze ati : « Ariko uwukora ivyo ukuri aza ku muco. » birashoboka gukora ibikorwa vyiza ( Kuvuza abarwaye, kugaburira impunzi, gufasha,….) hari n'amashirahamwe akora ibikorwa vyiza mw'isi ; ntibisigura ko ari ibikorwa vy'ukuri. Hari n'ababikora ku nyungu zabo.

Ijambo "**Ukuri"** Yesu yakunda kurikoresha agira ati : Ni ukuri ni ukuri ndababwire…. Aha ni uko yarazi ko ata kinyoma kiri muvyo avuga. Ukuri ni icananiye abenshi muri ino si (Muri politike, m'urudandaza, mu mashengero, amashirahamwe, mu ngo z'abubatse…), ari naco gituma batinya umuco. Ibikorwa vy'ukuri bibonekera bose ko vyakorewe mu Mana. Si ibikorwa vyiza bizotuma umuntu aja mw'ijuru, ahubwo ni ibikorwa vy'ukuri.

## III. Ivyamwa vy'akakiza.

1. **Ukuri: 2 Peter 2:2** *« Kandi ingeso zabo z'isoni nke benshi bazozikurikira ; kubw'ivyo, inzira y'ukuri bazoyitukisha. »* Umugororotsi abayeho ubuzima butandukanye n'umunyabicumuro. Igihe cose uzoba ukivuga ikinyoma kugira ubikuremwo inyungu, wikize… uzumenye ko ukiri umwana mu kwizera.
**Yoh.8 :44** *« Iyo avuga ibinyoma, avuga ivyiwe, kuko ari umunyabinyoma, kandi ariwe se wavyo. »* Umunyakinyoma wese ni umwana wawa mugwanizi. Ikibabaje ni uko hari n'ababeshera Imana Yehova bakoresheje bibiliya canke ingabire ngo ni ivyo beretswe. Ikinyoma bacambika urusato rw'ukuri.

**2**. **Urukundo : Yoha 13:34-35** : « *Ndabaha icagezwe gisha, ni mukundane… ni mwagiriranira urukunda ni ho bose bazomenyera ko muri abigishwa banje.* »

Ivyagezwe 613 vyari vyaratanzwe n'Imana biciye mu kanwa ka Mose, hari hakenewe ikindi cagezwe gisha. Urukundo. Urukundo rwari rwarabuze mu bantu b'Imana. Yesu yabwiye intumwa ziwe ko zigenda mw'isi yose, guhindura abantu abigishwa. Ikimenyetso cerekana mwabaye abigishwa ba Kristo ni uko haba urukundo.

**3. Ibikorwa: Yakob2 :17**. « Ni ko bimeze, n'ukwizera kutagira n'ibikorwa, kuri kwonyene, kuba gupfuye. » **Ivyahish. 8:3**. *« Ahabwa imibavu myinshi ngo ayishire ku gusenga kw'abera bose kuri ku gicaniro c'izahabu kiri imbere y'iyo ntebe. »* Ibikorwa bishirwa hamwe n'ugusenga, bikagera imbere y'Imana., iyo hari ico usaba Imana, irakwishura.
Mu gihe umutima wa muntu umaze kwakira agakiza, arakeneye gushirako ibikorwa. Ibikorwa nivyo gahembo Imana izoha abamwizeye. Hazobaho guhembwa bitandukanye k'umuntu azoba yahawe ubugingo budashira. **1 Kor. 3:12**-15.

## IV. Gushira mu ngira.

Hari inyungu kuri uwo wese yemeye kwakira ingabire y'ubugingo budashira.
1.Amahoro n'umunezero biri muvyo Kristo yahaye abamwizeye mu gihe cose bakiri mw'isi. Woshobora kubaho uboneka ata butunzi, icubahiro... ufise mw'isi, ariko ukarusha abatunzi n'abanyacubahiro umunezero n'amahoro.
2. Nta bwoba bw'urupfu k'umugororotsi. Ivyizigiro vy 'ijuru biba m'ubuzima bwabo.

Ukuza k’umwami Yesu kuri hafi n’ibimeneyetso biraboneka. Ingingo ufata niyo buzima bwawe muri iki gihe n’inyuma y’urupfu.